NSW Igisata c’Indero n’Ubumenyi




# Amahindagurika mu ndinganizo zo kwiyandikisha

## Ibimenyeshejwe imiryango

## Ni ibiki vyahindutse?

Amahindagurika akurikira yarabayeho mu Ndinganizo zo kwiyandikisha muri (Kindergarten) kugeza ku mwaka wa 12 (Year 12) kandi vyerekeye amashire yose ya Reta kuva mu gice ca 1, 2026.

### Amahindagurika ku biyandikisha aho badasanzwe baba

Mu 2025, twaramenyesheje ibisabwa mu guha agaciro ukwiyandikisha ku banyeshure bakeneye ibidasanzwe mu kwiga no mu kuroranirwa, abavukanyi b’abana basanzwe banditswe, n’abana b’abigisha.

Mu 2026, ukwiyandikisha kw’ababa kure kuzonashirwa imbere ku neza y’aba:

- Abasangwabutaka hamwe/canke imvukira zo mu Mazinga, kubwo ihwaniro ry’imico, imiryango n’ubucuti, na kinship connections.
- Abanyeshure b’abamenyerezwa bashasha, twita Kindergarten bize mw’ishure rimenyereza rya reta riri hafi n’iryo rindi shure rya reta ry’i NSW.

### Ukworoherezwa kw’abana b’Abakora mu vyo Kwivuna Abansi

Indinganizo zo kwiyandikisha ziriko zirahinyanyurwa ngo ibisabwa mu kwandikwa bigabanywe ku neza y’abana b’Abasirikare igihe bimutse no mu gihe bahinduriwe uburâro.

### Iyubahirizwa ry’ubucuti -kinship-mu Basangwabutaka / mu Mvukira zo mu Mazinga

Amashure azokworohereza iyandikwa ry’abanyeshure b’Abasangwabutaka / Imvukira zo mu Mazinga, kubwo amahwaniro ndoramiryango-kinship connections-itsimbatazwa ry’imico, kwiga mu rurimi kavukire n’imihango nk’ikigāndāro-Sorry Business-.

### Iterambere ry’abanyeshure bacu batorohewe

Ugufashwa kudasanzwe ku banyeshure bagirizwa ivyaha canke bava ku mashure bakajanwa mu masentare canke mu mabohero kuriko kurongerwamwo kandi ukwiyandikisha ahabegereye ku banyeshure nk’abo kuzokorwa imisi y’ivyigwa 2 mu ndwi.

## Ibibazo Bibazwa Kenshi

### Mbega ayo mahindagurika yoba yerekeye umwana wanje?

Amahindagurika yo mu 2026 mu ndinganizo zo kwiyandikisha mu mashure ya reta i NSW arakwerekeye asangwa:

- Umwana wawe ari umusangwabutaka/ Imvukira yo mu Mazinga akeneye ivyo ubucuti-kinship-, ururimi, canke imico
- Umwana wawe yarafashijwe nk'inyererezi, nk'uwupfunzwe, canke aja arava kw'ishure aja muri sentare canke mw'ibohero
- Umwe mu bavyeyi b'umwana wawe yarakoze canke akorera mu Ntwaramiheto kandi akaba yerekewe n'ibisabwa bijanye n'ihindagurwa ry'uburaro kubwo gukorera urwego rwa Ostraliya rw'Ukwivuna Abansi.

### Mbega ishure iryo ari ryo ryose rizokorera kuri rino hinduka?

Hisunzwe ibibanza bisanzwe biriho vy'ukwiyandikishwamwo, amashure asabwe gushira mu ngiro rino hinduka ry'ukwiyandikisha kw'abanyeshure bategereye ishure mu Gice ca 1,2026.

Amahindagurika y'indinganizo z'ukwiyandikisha ku banyeshure bategereye ishure ntakuraho ibisabwa mu ntonde n'integuro zidasanzwe, nk'amashure acāgúra, amashure y'intumbero zidasanzwe (schools for specific purposes (SSPs)), amashure y'abigishiriza i muhira, n'amashure arimwo amasomero n'integuro z'ivyigwa zidasanzwe (nk'akarorero amashure y'ubuhinga, inonoramubiri, canke ayo abahinga mu tugenegene). Ayo mashure arigenga mu ndinganizo, ukwiyandikisha n'itangwa ry'ibibazo muri yo bizokorwa nk'uko bisanzwe.

Amashure yakira igitsina kimwe yokurikiza aya mahinduka mu gihe umwana yiyandikisha ari uwo ico gitsina. Vugana n'ishure ribereye ubaze ingene ayo mahinduka akorwa.

### Mbega ugusaba kwandikwa aho umwana ategereye kuzoca kwemerwa mu gihe umwana wanje akwije ibisabwa bigezweho?

Aya mahindagurika ntiyemeza ukwandikwa kw'umwana wawe mw'ishure rya reta riri aho ategereye. Amashure arimwo ibibanza vy'abayegereye n'ivyo abatayegereye ni yo azokwemerera kwiyandikisha. Amashure afise ibibanza bike bigenewe abategereye ishure azoshira imbere ukwandikwa kw'aba:

- abanyeshure bakeneye isubirwamwo ryumvikana ry'ivyo bakeneye ku neza y'iterambere ryabo mu bumenyi canke ibindi boshigikirwamwo, harimwo ibi:
  - Umusangwabutaka/ Imvukira yo mu Mazinga yisangije ibisabwa mu mico / mu miryango hamwe n'ivyerekeye iyungabucuti -kinship connections -
  - Ukugendana ubumuga
  - Ivyo Umwana akeneye hatisunzwe imyaka
  - Ihohoterwa
  - Umwitwarariko w'ugukingirwa kw'umwana
  - Ibikenewe mu buvuzi no ku neza y'umwana ubwiwe
- abavukanyi b'abanyeshure biga kuri iryo shure, uhereye ku bavukanyi b'abanyeshure bafashwa cane
- umunyeshure amenyerezwa - Kindergarten-yize kw'ishure rya reta rimenyereza ryegereye iryo shure.

Vugana n'abo kw'ishure rikwegereye uronswe ayandi makuru.

### Ivyo vyoba bisobanurwa yuko abanyeshure bakwije ibisabwa ngo batangurirweko mu kwandika aho bategereye baca bemererwa ubu?

Oya, abavyeyi bahamagariwe gusaba kwandikisha umwana wabo kw'ishure rya reta ryose asangwa uwo mwana yemerewe kwiga kuri iryo shure kandi iryo shure rikaba ryomwakira mu bandikwa. Amashure yose afise ibibanza bike vy'abandikwa ategerezwa gutangurira n'ugucagura abasaba hisunzwe ivyisungwa mu kwiyandikisha kw'aba kure y'aho ari.

### Ugusaba ukwandikwa kw'umwana wanje kure y'ishure guheruka kwaranswe, ariko ubu umwana wanje arakwije ibisabwa. Nosubira gusaba?

Ego. Ni waba warasavye ko umwana wawe yandikwa kure y'aho abaye muri 2026 kandi ukwo gusaba kugahakanwa, urashobora gusubira gusaba asangwa umwana wawe akwije ibisabwa. Ca ku ntambuko z'incamake mu gace gakurikira, "Nohindura gute aho nandikishirije umwana wanje?"

### Naratanze Urwandiko rwo kwiyemeza (Expression of Interest (EOI)) mu kwimuka kuva ku mwaka Year 6 kugeza kuri 7. Nohindura aho nandikishije umwana wanje?

Ego. Asangwa umwana wawe akwije ibisabwa bigezweho, woshobora gusubira gusaba kw'ishure rya kure wahisemwo, naho woba waratanze EOI kubwo iyimurwa ry'abafise imyaka Year 6 kugeza kuri 7. Kurikiza zino ntambuko mu gace "Nohindura gute aho nandikishije umwana wanje?"

### Nohindura gute aho nandikishije umwana wanje?

Abavyeyi canke abarezi bipfuza kwandikisha umwana kw'ishure ritamwegereye bakwiye gukurikiza izi ntambuko mu guhindura iyandikwa:

**Ugusaba kwandikwa ku murongo**

1. Ja ku rubuga ngurukanabumenyi rw'ishure rya reta wipfuza gusabamwo kwandikwa, maze ufyonde ahanditse kwiyandikisha (enrolment) ahari menu
2. Ku rupapuro muravyo rw'ukwandikwa, munsi y'ahanditswe (how to enrol) -uko wokwiyandikisha-, ufyonde ku kiraro (online enrolment application). Bisigura ugusaba ukwandikwa ku murongo-miravyo.
3. Wamaze kurungika isabwa ry'ukwandikwa, ishure rishobora kubikwemerera, nawe ugategerezwa kuvyemeza mu kiringo c'imisi 14.
4. Asangwa ugusaba kwawe kwemewe, hamagara kw'ishure umwana wawe yari yaranditswemwo umufutishe.

**Impapuro zuzuzwa mu gusaba**

1. Hamagara kuri iryo shure rya reta ritakwegereye, umenye ko boshobora kwakira umwana wawe.
2. Asangwa iryo shure ryokwakira umwana wawe, uzuza urwandiko rushasha rwo kwiyandikisha. Ishure rirashobora kurukuronsa.
3. Umaze gutanga urwandiko rw'ugusaba kwandikwa, ishure rishobora kukwemerera, ugategerezwa kuvyemeza mu misi 14.
4. Asangwa ugusaba kwawe kwemewe, vugana n'abo kw'ishure umwana wawe yahora yanditsweko maze umufutishe.

## Vyogenda bite ntafise uburaro buzwi canke umwidondoro wanje ukwiye?

Hariho ibihe umunyeshure ashobora kwandikwa ata cemeza ahao aba. Ivyo bihe ni nk'ibi bikurikira ariko ntibigarukira kuri ivyo: imvo z'imico, abana b'intwaramiheto hamwe n'abana canke imiyabaga bo mu bigo vy'abatagira aho barara, abapfunzwe ic'amaso, canke abahinduriwe ishure mu bigo bicira imanza kandi bipfungirwamwo urwaruka. Igore uvugane n'ishure rikwegereye umenyeshwe vyinshi ni wabona ibi bikwerekeye.

## Mbega amahindagurika y'intumbero n'indinganizo vy'ukwiyandikisha yo mu 2025 aracakora?

Ego. Amahindagurika yamenyeshejwe mu 2025 azobandanywa akoreshwa no mw'iyandikwa ryo mu 2026. Ni aya:

- Abanyeshure bose bafise viza y'imfatakibanza bokwiyandikisha mu mashure ya reta abegereye, hisunzwe aho baba.
- Abavukanyi b'abanyeshure basanzwe biga mw'ishure rya reta bashirwa imbere mu kwandikwa aho badasanzwe baba, hagatangura abavukanyi b'abanyeshure bari mu masomero y'abagendana ubumuga bo mu mashure ya Reta yabigenewe.
- Abana b'abigisha bokwandikwa aho badasanzawe baba mw'ishure rya Reta.

Mukeneye ayandi makuru yerekeye aya mahindagurika, canke gusuzuma ko yerekeye umwana wanyu, hamagara kw'ishure ribegereye.

## Ni hehe noronka ayandi makuru?

**Ku bisabwa mu kwiyandikisha, vugana n'abo kw'ishure wipfuza. Ronderera inomero z'iryo shure aha:**
education.nsw.gov.au/find-a-public-school

**Ku vyo amakuru y'ukwiyandikisha mw'ishure rya Reta i NSW, ca kuri:**
education.nsw.gov.au/enrolment

**Ukeneye ayandi makuru yerekeye ukwiyandikisha mw'ishure rya reta ry'i NSW nk'Uwuzohaba Igihe gito:**
https://www.deinternational.nsw.edu.au/

**Ku bisabwa muri rusangi mu kwandikwa, hamagara ku Biro vy'Igisata c'Indero:** 1300 679 332

**Ubufasha mu rurimi kuri telefone**

Ni waba ukeneye umusobanuzi yogufasha kuvugana n'abo kw'ishure canke n'igisata c'Indero, wohamagara ababijejwe kuri 13 14 50 ugasaba umusobanuzi avuga ururimi ukeneye. Ubwire umuhinga azokwitaba inomero ukeneye guhamagarako maze uwo muhinga azokuronsa umusobanuzi w'ikibiriraho azogufasha mu kiyago. Ntuzorihishwa kubwo ukwo gufashwa.